
# Amarori y’ubwirakabiri:

## Amabwirizwa yo kuyakoresha




*Ubwirakabiri bw’izuba bukwiye*

*kuwambere, 8 Ndamukiza 2024*

*© 2018-2024*
*Eclipse2024.org*

# TERMS AND CONDITIONS FOR USE OF ECLIPSE GLASSES

**Please read these Instructions for Use carefully before using the Eclipse Glasses. Your purchase and use of the Eclipse Glasses constitutes your agreement to these Terms and Conditions. Failure to follow these Instructions for Use may result in serious personal injury, including permanent eye damage. If you do not understand these Instructions or cannot follow them diligently and completely, then you should not look at the Sun at any time, with or without the Eclipse Glasses.**

The term “Eclipse Glasses” refers to the special cardboard-and-polymer optical products, marked “ISO 12312-2” and “SAFE FOR DIRECT SOLAR VIEWING”, manufactured by Rainbow Symphony of Reseda CA or American Paper Optics of Bartlett TN, and sold by Eclipse2024.org for the purpose of viewing the Sun during the solar eclipse of April 8, 2024, by or under the direct supervision of a person 18 years of age or above and in accordance with these Instructions for Use.

Observing the Sun directly, without the benefit of eye protection provided by the Eclipse Glasses, will likely result in serious personal injury, up to and including permanent eye damage and blindness. When these Instructions for Use are followed completely and precisely, the undamaged and unmodified Eclipse Glasses have been proven to be safe and effective in allowing direct, short-term viewing of the Sun. If these Instructions for Use are not followed, or if damaged or modified Eclipse Glasses are used, permanent eye injury could result.

You should never look directly at the Sun, with or without the aid of the Eclipse Glasses, if you have any temporary or permanent medical or other condition which either (1) prevents your use of the Eclipse Glasses according to these Instructions for Use, or (2) which predisposes you to an increased or special risk of incurring, worsening, or contributing to the effects of any optical condition, or other medical, health, or other condition, by looking or attempting to look at the Sun.

You should never attempt to perform any other activity (such as driving or walking) while using the Eclipse Glasses.

You agree that if you allow others to use the Eclipse Glasses, you will provide each such user with a copy of these Instructions for Use and will make sure such user reads and understands the Instructions for Use before using the Eclipse Glasses.

By using the Eclipse Glasses to view the Sun, you agree with the following:

(a) you understand these Instructions for Use completely;
(b) you understand and accept the risks associated with improper use of the Eclipse Glasses;
(c) you accept full responsibility for, and assume all risks associated with, the act of viewing the Sun, with or without the use of the Eclipse Glasses; and
(d) the Eclipse Glasses are fragile, and any damage or modification will render them immediately and permanently unusable for their intended purpose.

By way of purchasing and using the Eclipse Glasses, you are irrevocably releasing, indemnifying, and holding harmless the manufacturer and seller from any liability, loss, claim and expense (including attorney’s fees), including but not limited to bodily injury or other personal harm, which may result from using the Eclipse Glasses under any circumstances or conditions and irrespective of jurisdiction. Neither the manufacturer nor the seller will be responsible for any damages of any kind, irrespective of reasons, conditions or circumstances, including malfunctioning of the Eclipse Glasses. All risks associated with using the Eclipse Glasses rest solely and entirely with the user, irrespective of whether the Eclipse Glasses are used by the original purchaser or any third party. You fully understand and assume the risks in using the Eclipse Glasses. You confirm that you have read this release of liability and fully understand its terms and that you have given up substantial rights by purchasing and using the Eclipse Glasses.

THE MANUFACTURER AND SELLER OF THE ECLIPSE GLASSES MAKE NO WARRANTY OF ANY KIND, EXPRESSED OR IMPLIED, WITH RESPECT TO THE ECLIPSE GLASSES, INCLUDING BUT NOT LIMITED TO THE IMPLIED WARRANTIES OF MERCHANTABILITY, FITNESS FOR A PARTICULAR PURPOSE, AND NON-INFRINGMENT. NEITHER THE MANUFACTURER NOR THE SELLER SHALL BE LIABLE FOR ANY OTHER DAMAGES, INCLUDING BUT NOT LIMITED TO DIRECT, INDIRECT, INCIDENTAL, SPECIAL, CONSEQUENTIAL, OR EXEMPLARY DAMAGES, WHETHER IN AN ACTION IN CONTRACT OR TORT (INCLUDING NEGLIGENCE AND STRICT LIABILITY), SUCH AS, BUT NOT LIMITED TO, LOSS OF ANTICIPATED PROFITS OR BENEFITS RESULTING FROM, OR ARISING OUT OF, OR IN CONNECTION WITH THE USE OR FURNISHING OF THE ECLIPSE GLASSES OR THE PERFORMANCE, USE OR INABILITY TO USE THE SAME, EVEN IF THE MANUFACTURER OR SELLER HAS BEEN ADVISED OF THE POSSIBILITY OF SUCH DAMAGES. IN NO EVENT WILL THE MANUFACTURER’S OR SELLER’S TOTAL LIABILITY EXCEED THE PRICE PAID FOR THE PRODUCT.

Note Regarding Translations

Translations of these Instructions for Use into various languages are provided “AS-IS” and solely for the convenience of the reader. Eclipse2024.org has made reasonable efforts to ensure the accuracy of the Translations; however, in the event of any perceived discrepancy in meaning or interpretation between the English version and any Translation, the English version will prevail. You should not act in reliance on anything contained in any Translation of these Instructions for Use, but should refer to the official English version.


© 2014-2024
Eclipse2024.org


# *UBWIRAKABIRI BW'IZUBA BUKWIYE – 8 Ndamukiza 2024*

**Kaze muri Amerika y'uburaruko!**

Turi n'iteka kuba mwarahisemwo kugendera ishinga ryacu kugira murabe ubwirakabiri bw'izuba bukwiye, tukaba tunipfuza ko uwariwe wese yoshobora kuraba iki gitangaza ata ngaruka bimugizeko!

*Aya mabwirizwa tuyatanga mu kirundi kugira vyumvikane. Igice c'icongereza c'aya mabwirizwa, impanuro n'ivyitonderwa ("amabwirizwa"), ni ryo soko ry'amakuru n'impanuro ku bijanye no gukoresha neza amarori y'ubwira kabiri mu kuraba neza izuba. Ayo mabwirizwa woyasanga kuri https://tinyurl.com/2024Instructions, kandi utegerezwa kuyasoma, ukayatahura ukanayakurikiza kugira ukoreshe amarori y'ubwirakabiri.* ***Kudakurikiza aya mabwirizwa bishobora gutera ingaruka mbi ku wabikoze.***

Abiga ivy'inyenyeri bise ubwirakabiri bw'itariki 8 Ndamukiza 2024 "ubwirakabiri bukwiye", mugabo kugira ubone ubwuzure hari agace k'isi gato cane kajabuka America y'uburaruko uba uriko (bakita "agace k'ubwuzure"). Utari muri ako gace, ubona gusa ubwirakabiri bw'igice! Ni co gituma ari ingirakamaro cane kumenya ko uri muri ako gace k'ubwuzure, uburyo wokoresha burasigurwa hepfo.



*Agace k'ubwuzure*

# INGENDO NYAMUKURU  IDO N'IDO RY'AMABWIRIZWA

Ijambo "Amarori y'ubwirakabiri", nk'uko ryakoreshejwe muri uru rwandiko, ryumvikana ko risigura "Eclipse Glasses" yavuzwe mu vyitonderwa biri ku rupapuro rwa mbere, n'ahandi hose muri uru rwandiko.

Gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu kuraba izuba ni icemewe n'amategeko kandi biba mu masezerano y'uwushaka gukoresha amarori y'ubwirakabiri n'uwuyatanga. Utegerezwa gukurikiza impanuro zose n'ingendo ziri mu mabwirizwa, kugira ukoreshe amarorori y'ubwirakabiri mu kuraba izuba umwanya uwo ari wo wose. Utadatahura aya mabwirizwa canke udashoboye kuyakurikiza yose kandi nk'uko bikwiye canke utemera ayo mabwirizwa, usabwe kandi unahanuwe kutaraba izuba na rimwe, uburyo ubwo ari bwo bwose wokoresha.

© 2016-2024
Eclipse2024.org

# *INGENDO NYAMUKURU Z'AMARORI Y'UBWIRAKABIRI*

*Izi ngendo nyamukuru zakuwe mw'ido n'ido ry' amabwirizwa mu kirundi, utegerezwa gusoma, ugatahura ukanakurikiza ku murongo mu gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu kuraba ubwirakabiri.*

1) **Raba aho uherereye kuri eclipse2024.org/find-times kugira urabe ko aho uri ubwirakabiri buzoba bukwiye, urabe n'umwanya w'aho uherereye uzohuririra n'igihe c'igice n'igihe c'ubwuzure (mu gihe bishoboka).**
2) **Ubwirakabiri bukwiye ni ikintu gitangaje cane ariko biryoheye ijisho cane mu gihe uri mu "agace k'ubwuzure" – gapima ibirometero 200 gusa mu bwaguke. Ubonye ko aho uri ubwirakabiri bukwiye butaza kuboneka, twoguhanura ko worondera aho woburabira hari mu gace k'ubwuzure!**
3) **Mu gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu kuraba ubwirakabiri, fata ibiyo vy'amarori y'ubwirakabiri ubishire neza imbere y'amaso yawe, kugira amaso akingirwe neza kandi yose kugira ntarabe izuba.**
4) **Ni ryari amarori y'ubwirakabiri akoreshwa mu kuraba izuba:**
   a. **Mu gihe ubwirakabiri BUTAZOBA bukwiye aho uherereye, aho uzorabire ubwirakabiri mu marori y'ubwirakabiri umwanya wose. URASHOBORA KUGIRA INGARUKA ZIDAKIRA ZO KWONONEKARA AMASO URAVYE IZUBA AMASO YAWE ADAKINGIYE NEZA!**
   b. **Mu gihe ubwirakabiri BUZOBA bukwiye aho uherereye, muri ico gihe UTEGEREZWA kurabira izuba mu marori y'ubwirakabiri mu gihe agace k'izuba gasayangana – naho koba ari gato cane-kaboneka. URASHOBORA KUGIRA INGARUKA ZO KWONONEKARA AMASO UDAKURIKIJE IRI BWIRIZWA!**
      i. **Ariko, mu kanya gato k'ubwuzure HONYENE, mu gihe ata gace na gato k'izuba gasayangana kaboneka, urashobora kuraba ubwirakabiri bukwiye udakoresheje amarori y'ubwirakabiri.**
      ii. **Iyo ugerageje gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu kuraba izuba mu mwanya w'ubwuzure, nta kintu na kimwe ubona.**
      iii. **UTEGEREZWA gusubira gukoresha amarori y'ubwirakabiri igihe ubwuzure buheze, igice c'izuba gisayangana gisubiriye kuboneka.**
5) **Mu ncamake,**

**MU GIHE AGACE K'IZUBA GASAYANGANA KABONEKA, UTEGEREZWA GUKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI MU KURABA IZUBA!**

© 2016-2024
Eclipse2024.org

# IDO N'IDO RY'AMABWIRIZWA YO GUKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI

Imbere ya vyose hari amajambo utegerezwa gutahura!

Ku bwirakabiri bumwe bumwe bwose, ku gice kimwe kimwe cose c'isi, hari amazina ahabwa ibihe vy'ibice bikomeye vy'ubwirakabiri. Ibi bizwi nka:

| *Izina ry'igice* | *Uko igice kimeze* | *Uko igice gisa* *(ku bwirakabiri bukwiye)* | *Uko igice gisa* *(ku bwirakabiri bw'igice)* |
|---|---|---|---|
| ***C1*** | **Intango y'igice kitari ic'ubwuzure** |  |  |
| ***C2*** | **Intango y'ubwuzure** |  | ** Aha ntikibaho ** |
| ***Hagati na Hagati H'Ubwirakabiri*** | **Hagati na hagati h'ubwirakabiri** |  |  |
| ***C3*** | **Iherezo ry'ubwuzure** |  | ** Aha ntikibaho ** |
| ***C4*** | **Iherezo ry'igice kitari ic'ubwuzure** |  |  |

# 1) AMABWIRIZWA RUSANGI YO GUKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI



1) [*mu gihe bishoboka*] Pfundurura neza witonze amarori y'ubwirakabiri uyakure mwibahasha yayo.
2) Bika neza amarori y'ubwirakabiri mu gihe utariko urayakoresha.
3) Banza usuzume neza amarori y'ubwirakabiri igihe cose imbere yo kuyakoresha; mu gihe usanze ikiyo carononekaye canke caraharaguritse, mena ayo marori, hanyuma urondere ayandi akomeye.
4) Iyo ibiyo vy' amarori y'ubwirakabiri vyononekaye mu buryo ubwo ari bwo bwose, kirazira kuyakoresha mu kuraba izuba na rimwe.
5) Kirazira gukuramwo ibiyo mu marori y'ubwirakabiri, kandi kirazira gukoresha ibiyo vyavuyemwo mu kuraba izuba mu buryo ubwo ari bwo bwose.
6) Ibiyo bihomyeko neza kandi bitononekaye vy'amarori y'ubwirakabiri bizogukingira imishwarara mibi y'izuba yaba iyiboneka n'iyitaboneka. Ni vyiza cane gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu cerekezo catanzwe n'amabwirizwa, mu kuraba izuba umwanya uwo ari wo wose. Nta "mishwarara idasanzwe y'ubwirakabiri" ituma kuraba izuba mu gihe c'ubwirakabiri bitera ingaruka ziruta izisanzwe canke bitazitera.
7) **Utegerezwa gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu buryo bwavuzwe ngaha mu kuraba izuba ata ngaruka mbi bigutera, mu gihe cose HARI agace k'izuba gasayangana kaboneka. Ibi ni ivy'ukuri mu mwanya uwo ari wo wose w'ubwirakabiri ("C2" na "C3" nkuko vyavuzwe haruguru) woba wandukuye ahantu aho ari ho hose.**
8) Kirazira gukoreshereza icarimwe amarori y'ubwirakabiri n'ivyuma bikuza amasanamu vyo kuraba inyenyeri, kuraba kure, vyo gufata amasanamu, ibiyo n'ibindi vyuma bihindura amasanamu canke ibindi bikoresho bishobora guhindura inzira y'imishwarara. ("ibikoresho ivyo ari vyo vyose bikoresha ibiyo")
9) Kirazira kurabisha igikoresho ico ari co cose gikoresha ibiyo ku zuba hanyuma ngo uheze urabiremwo izuba muri ico gikoresho gikoresha ibiyo kirabishijwe ku zuba, kiriko kirasirwako n'imishwarara y'izuba, canke gihindura inzira y'imishwarara y'izuba.
10) Kirazira ko amarori y'izuba akoreshwa n'ibitungwa canke umuntu arwaye, uwudashobora gusoma, gutahura no gukurikiza ibisabwa mw'ikoreshwa neza ry'amarori y'ubwirakabiri, canke adashobora kwemera ingaruka zose z'ivyo akoze.
11) Mu gukoresha amarori y'ubwirakabiri:

    Fatira amarori yawe y'ubwirakabiri neza hagati y'amaso yawe n'izuba, hanyuma urabire izuba mu biyo bikomeye vy'amarori y'ubwirakabiri, hama umwanya wose ugumize ibiyo vy'amarori y'ubwirakabiri neza hagati y'amaso n'izuba. Usanze amarori y'ubwirakabiri ameze nk'urukiramende, yazinge neza ku buryo uyambara nk'amarori y'amaso asanzwe. Kirazira kuraba izuba mu gihe hatari ubwirakabiri bukwiye (aho ni mu mwanya uri hagati y'ibice C2 na C3 uza kubona hepfo, igihe iyo myanya ishobora kuboneka aho uherereye), kiretse uriko uraba izuba ucishije mu biyo bikomeye vy'amarori y'ubwirakabiri.



12) Kirazira gukoresha ibindi bikoresho bitari ibiyo vy'amarori y'ubwirakabiri yakoranywe na yo, mu gukingira amaso mu gihe uriko urageregeza kuraba izuba.
13) Ufise ikibazo ico ari co cose ku bijanye n'aya mabwirizwa, bariza kuri Eclipse2024.org ku https://tinyurl.com/glasses-questions.

## 2) MENYA IBICE VY'UBWIRAKABIRI AHO UHEREREYE HISANGIJE

Ugendeye ku makuru atangwa kuri eclipse2024.org/find-times ku bijanye n'aho uherereye, uzuza ibikurikira:

***Aho mperereye, ubwirakabiri:***

| BURAKWIYE | NTIBUKWIYE |
|---|---|

*(shira kimwe muri ibi mu murongo uhese wugaye)*

| | |
|---|---|
| **Nimba ubwirakabiri *BUKWIYE* aho uherereye, kurikiza amabwirizwa ari ku**<br>**"UBWIRAKABIRI *BURAKWIYE* AHO MPEREREYE"**<br>**agace gakurikira:** | **Nimba ubwirakabiri *BUDAKWIYE* aho uherereye, kurikiza amabwirizwa ari ku**<br>**"UBWIRAKABIRI *NTIBUKWIYE* AHO MPEREREYE"**<br>**agace gakurikira:** |

## ** UBWIRAKABIRI *BURAKWIYE* AHO MPEREREYE **

Uri mu gace k'ubwuzure, uzobona iki kintu kiba gake kandi gitangaje! Ni ivy'ingirakamaro cane gushobora kumenya ighe c'ubwuzure aho uherereye. Uzoshobora kubimenya wifashishije ighe uzoba wanditse aha hepfo, kandi mu gihe c'ubwuzure nta gace na gato k'izuba gasayangana akazoba kaboneka.

1) Ugendeye ku makuru usanga kuri eclipse2024.org/find-times ku bijanye n'aho uherereye, andika igihe ca kimwe kimwe mu bice vy'ubwirakabiri bidondaguye aha hepfo (shira isaha yawe neza ku gihe c'aho uherereye):

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| *Imbere ya C1* | * Nta bwirakabiri * | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| *C1* | Igice kitari ic'ubwuzure gitangura: | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| *C2* | Igice c'ubwuzure gitangura: | |  |  | **Inyuma ya C2**, urashobora kurabisha amaso yonyene |
| *Hagati na hagati h'ubwirakabiri* | Haba: | |  |  | **Urashobora kurabisha amaso yonyene!** |
| *C3* | Igice c'ubwuzure gihera: | |  |  | **UTEGEREZWA** gusubira kwambara amarori y'ubwirakabiri |
| *C4* | Igice kitari ic'ubwuzure gihera: | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| *Inyuma ya C4* | * Nta bwirakabiri * | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |

2) Naho woba uherereye mu gace k'ubwuzure, UTEGEREZWA gukoresha amarori y'ubwirakabiri mu kuraba izuba imbere ya C2 canke inyuma ya C3, mu gihe ubwirakabiri budakwiye.

3) Urashobora kuraba izuba n'amaso yonyene (udakoresheje amarori y'ubwirakabiri) MU GIHE GUSA:
    a. Ubwirakabiri bukwiye aho uherereye (uri mu gace k'ubwuzure)
    b. Mu gihe c'ubwuzure (mu mwanya uri hagati ya C2 gushika kuri C3 aho uherereye nkuko twabibonye hejuru)
    c. **Igihe cose igice gisayangana c'izuba gipfutswe COSE n'ukwezi.**

Igihe c'ubwuzure kirahindagurika bivanye n'aho uherereye, utegerezwa kuba wacanditse imbere y'igihe. Amasaha uba wanditse aha hejuru ni ukugereranya!

4) Utagendeye cane ku vyadondaguwe aha haruguru, canke ku bikuwe ahandi, **utegerezwa kwama uraba izuba ukoresheje amarori y'ubwirakabiri igihe cose hari agace k'izuba gasayangana kaboneka**.
5) Aya mabwirizwa aherekejwe n'amasanamu abisigura kugira atahurwe neza.

---

***Utegerezwa gusoma, ugatahura, ukanakurikiza ibikurikira:***

**NTEGEREZWA GUKURIZIZA AMABWIRIZWA YOSE AJANYE NO GUKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI, KUGIRA NDAYAKORESHE NEZA NK'UKO BIKWIYE.**

**MU GIHE COSE HARI AGACE K'IZUBA GASAYANGANA KABONEKA, NTEGEREZWA GUKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI MU KURABA IZUBA.**

*© 2016-2024*
*Eclipse2024.org*

## ** UBWIRAKABIRI *NTIBUKWIYE* AHO MPEREREYE **

Utari mu gace k'ubwuzure, ntuzobona ubwiza bw'ubwirakabiri bukwiye. (Turaguhanuye cane kuja mu gace k'ubwuzure, kugira dushobore gusangira kubona ubwiza bw'iki kintu c'igitangaza!)

1) Ugendeye ku makuru usanga kuri eclipse2024.org/find-times ku bijanye n'aho uherereye, andika igihe ca kimwe kimwe mu bice vy'ubwirakabiri bidondaguye aha hepfo (shira isaha yawe neza ku gihe c'aho uherereye):

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| ***Imbere ya C1*** | * Nta bwirakabiri * | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| ***C1*** | **Igice kitari ic'ubwuzure gitangura:** | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| ***Hagati na hagati h'ubwirakabiri*** | **haba:** | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| ***C4*** | **Igice kitari ic'ubwuzure gihera:** | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |
| ***Inyuma ya C4*** | * Nta bwirakabiri * | |  |  | **UTEGEREZWA** gukoresha amarori y'ubwirakabiri |

*(Ibice C2 and C3 ntivyadondaguwe, kuko ubwirakabiri budakwiye aho uherereye!)*

2) **Kuko ubwirakabiri butakwiye aho uri, UTEGEREZWA KWAMA ukoresha amarori y'ubwirakabiri mu kuraba izuba.** N'ubundi, turaguhanura ko woja ahari agace k'ubwuzure. Ibuka gutwara amarori yawe y'ubwirakabiri kugira uzoshobore kuraba neza ata ngaruka mbi bikugizeko, ibice bitari ivy'ubwuzure vy'ubwirakabiri!

3) Aya mabwirizwa aherekejwe n'amasanamu abisigura kugira atahurwe neza.

---

***Utegerezwa gusoma, ugatahura, ukanakurikiza ibikurikira:***

**NTEGEREZWA GUKURIZIZA AMABWIRIZWA YOSE AJANYE NO GUKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI, KUGIRA NDAYAKORESHE NEZA NK'UKO BIKWIYE.**

## NTEGEREZWA KWAMA NKORESHA AMARORI Y'UBWIRAKABIRI MU KURABA IZUBA.

*© 2016-2024*
*Eclipse2024.org*

PDF

Ikirundi

GRAN ECLIPSE NORTEAMERICANO

GRANDE ÉCLIPSE NORD - AMÉRICAINE

GREAT NORTH AMERICAN ECLIPSE

ECLIPSE 2024 .org